**NO ONE CAN CURSE THE ONE BLESSED BY GOD**
**Lesson 131**
**NUMBERS 22:1-12**
Memory verse : "***Since you were precious in my sight, you have been honored, and I have loved you ; therefore I will give men for you ; and people for your life***" Isaiah 43:4

# NTAWOVUMA UWO IMANA YAHEZAGIYE

## Icirwa c'i 131

Guharura **22:1-12**

**Ijambo ngenderwako** : "*Kuko wabaye uw'igiciro kinini mu nyonga zanje, n'umwizigirwa, nanje nkagukundan nico gituma nzoheba abantu kubwawe, n'amahanga kubw'ubugingo bwawe.* " **Yesaya 43:4**

## I. Intangamarara.

Abisirayeli bageze mu kiyaya c'i Mowabu hakuno ya Yorodani aharabana n'i Yeriko. Balaki umwami w'i Mowabo agira ubwoba, niko gutuma abaganwa n'Abamaleki kuri Balamu ngo aze abamuvumire. Hakubavuma, arabahezagira. Bibabaza Balaki.

## II. Mu makambi y'Abisirayeli.

Kuba baratsinze abami babiri, bagafata n'ibihugu vyabo ; vyafashije Abisirayeli gukambika mu kiyaya c'i Mowabu. Aha, barashobora kubona agace k'i Kanani. Mu kugera aho, baciye mu bibazo vyinshi (Inzara, inyota, ibihano vy'Imana, intambara...) Kandi ntibirahera. Balaki umwami w'i Mowabu yagize ubwoba bw'Abisirayeli. Yari yaritegereje Balamu, abona ko uwo ahezagiye agira umugisha, uwo avumye aba ikivume kandi akabikora mw'izina ry'Uhoraho. Amutumako nga aze amuvumire Abisirayeli.

Birashoboka ko Balamu yari umwe mu bavuye kuri Nowa akaja kwibera ukwiwe. Ntiyari uwo mu muryango wa Aburahamu. Yari azi ukuri kw'Imana Uhoraho kandi akayubaha nkuko sekuru Nowa yayubaha. Imana iramukunda imuha ingabire yo kwerekwa. Ni vyiza ko no mugihe woba uri kure y'abakuzi, ugumana ukwizera Yesu Kristo.

## III. Igeregezwa ry'ubutunzi

Balaki yari azi ko atacobuza ko Balamu aza kuvuma  Abisirayeli mu gihe yamurungikiye ibintu vy'agaciro kanini, vyotumye aca aba umutunzi mu kanya gato. Balamu amubwira ko aza kumubwira ico Uhoraho ari bumubwire.

Vyumvikana ko muri ako kanya, yari agishinze imizi ku kuri kw'Uhoraho. Ariko agatima kararaba ubwo butunzi, agashaka no kuba yabwegukira. **II Petero 2:15** « *Bataye inzira igororotse, barazimira, bakurikira inzira ya Balamu,mwene Beyoli, umwe yakunze ingero zo kugabitanya*. »

Amaronko y'isi ni imanga imiraguye benshi. Mu bakozi b'Imana, abanyeshengero, ingo nyinshi zarasambutse kubera gupfa ubutunzi. Iki nico catumya Balamu yemera ibiyago vya  Balaki. Akijayo, Imana yamutangije umumarayika indogoba yiwe iravuga.

## IV. Ubuvugishwa bwa Balamu kub'Isirayeli.

Inkuru yanditswe mu gice ca 23, irerekana uko ivyo kuvugishwa kwa Balamu ku Bisirayelikwgenze. Yarabahezagiye mu gihe Balaki yari yiteze ko abavuma. Aravuga ngo *Mbe novuma abo Imana yahezagiye, icompa nkazokwipfira nk'uko abagorortsi bapfa, iherezo ryanje rikazoba nk'iryabo*. **23:21**. Ari mu mpwemu yabonye abagorortsi bapfa neza, aravyipfuza.  Erega abacunguwe na Yesu, bariha  amahoro naho boba bari mu bibazo,imitima yabo yizigira Uhoraho uko bukeye n'uko bwije. Bama banezerewe. Umwami Balaki abibonye arashavura, ntiyamuha n'igiceri kuri bwa butunzi yamwemerera.

## V. Umutego w'abakobwa n'abagore mu b'Isirayeli.

**Soma guhar. 25:1-9.** Aba mowabu babonye ko Uhoraho akunze Abisirayeli, baja inama yico bokora kugira Abisirayeli barwe mu caha,bitume Uhoraho yabakingira, abakurako amaboko bakabona kubatera no kubatsinda. Inama yabaye iyo gucagura abakobwa n'abagore abarusha ubwiza n'ubunini mu bakobwa babo, bakabambika utujipo tugufi tugufi bakabarungika mu mahema y'Abisirayeli.

Ivyo vyananiye abagabo b'Abisirayeli kwihangana, bibagira rya bwirizwa « ntugasambane » baherako basambana nabo. Abo bakobwa baca babosha gusenga imana Peyori. Ntibihanganye. Baba baguye mu mutego wiyorobetse. Bibabaza Imana Uhorahop abateza ikiza, abenshi barapfa. Fenihasi niwe yahojeje ishavu ry'Imana.

Ubucuti bwose hagati yabadahuje ibitsina ntibwemewe mw'ishengero. Abenshi bazovuga ko bakundanye kubera urukundo rw'Imana, mu gihe gito bagakorokera mu busambanyi ; bagakoza isoni ishengero n'imiryango yabo. Abo muzobona naho bazoba mubayobozi, muze mubahanure, banse bahagarikwe mw'ishengero hakiri kare kuko bohava batuma Umwami Yesu ashavurira ishengero. Ivyo bizoba bisa n'ivyo Finehasi yakoze, binezereza Uhoraho.

## **VI. Gushira mu ngiro**.

Uhoraho si umuntu ngo abeshe canke ngo yisubireko. Naho urugendo ruba rukomeye, Ico avuze cose aragishitsa.  Umwami Yesu avunga ati : « *Kuko wabaye uw'igiciro kinini mu nyonga zanje, n'umwizigirwa, nanje nkagukundan nico gituma nzoheba abantu kubwawe, n'amahanga kubw'ubugingo bwawe »*

Kuba umwizigirwa imbere y'Imana bizoguhindura umunyamugisha ndetse bizotume Uhoraho akuzigama gushika mu gihugu c'isezerano (Ijuru rishasha). Ashobora guheba abantu bagapfa canke ibintu bigahomba kugira wewe mwizigirwa urokoke. Ehe raba ko abana b'Abanyamowabu batakumaze inkomezi. Biragusaba gusenga kugira ushikire inkomezi zo kunesha.